INAMA NKENGUZAMATEKA Y'UBURUNDI

IGISATA C'UBUTUNZI N'IMIBANO

IVYIYUMVIRO VYOKORERWAKO MU KIRUHUKO CA NTWARANTE

- ✓ Twisunze ko abenegihugu bariko bararima bongera batera ibiterwa vy'ikiringo ca kabiri (impeshi), ba nyakwubahwa abakenguzamateka bohimiriza abarimyi kugira ntibacererwe gutera mu ntumbero yuko ivyo bateye bitocikirirwa ;
- ✓ Naho imbuto igoye kuronka kubera ibiciro ku masoko vyaduze, abenegihugu bohimirizwa gutera ivyo bashoboye kuronka ntibafate ko ibiharage bitabonetse umengo nta yindi mbuto botera, ivyo bagafatira cane cane ku biterwa bikunda aho baherereye ;
- ✓ Guhimiriza abenegihugu gutera imboga kuko zera kare kugira zisahirize mu gufungura igihe ibindi biterwa bimara igihe kugira vyere ;
- ✓ Kubandanya bahimiriza gutera ibiti ku mitumba muri wa mugambi « ewe Burundi urambaye », mu ndimo naho nyene hagaterwa ibiti bibana n'ibiterwa, guca imikobeko ku mitumba ihanamye no guterako ubwatsi mu kwirinda inkukura, gutyo uburyohe bw'isi ntibuherere mu nzuzi ;
- ✓ Guhimiriza abenegihugu kutadebukirwa mu gutegura uturima two mu kigo no guteragira ivyamwa nk'amavoka, imicungwa, amatunda, amabungo n'ibindi aho hose bishoboka ;
- ✓ Kwegera abajejwe indimo ku mitumba kugira ngo babafashe maze umwimbu ugwire ;
- ✓ Kubahimiriza kudashora umwimbu wose ahubwo ari ugushora umusesekara kugira ngo ntihabe inzara mu ngo z'abenegihugu ;

cc
Pour partager avec
les Honorable Sénateurs
23/3/2023

- ✓ Guhimiriza abenegihugu kubandanya bashiraho ama koperative n'ayandi mashirahamwe yo kwiteza imbere kuko « ubugirigiri bugira babiri » ;
- ✓ Guhimiriza kwijukira ibikorwa rusangi (ku ma barabara y'imigenderanire, ku mashure, ...) n'ahandi hose abenegihugu bakoranira ;
- ✓ Guhimiriza kugira isuku mu ngo zabo, mu tuzu twa surwumwe, mu bubare, ku ma soko, n'ahandi mu ntumbero yo kwirinda ingwara ziterwa n'imyanda ;
- ✓ Guhimiriza kubandanya kwirinda ikiza c'umugera wa corona tutibagiye n'ikiza ruhonyanganda Sida kugira ngo abenegihugu bagire amagara meza bakore ibikorwa vyo kwiteza imbere ;
- ✓ Guhimiriza Abenegihugu kwirinda ama rigara kuko ariyo soko y'ubunebwe arinavyo navyo bituma abenshi baba ibinebwe bakongera bakanywa ibiyayuramutwe.

Bigiriwe i Gitega kw'igenekerezo rya 27 Ruhuhuma 2023

Kubwigisata c'Ubutunzi n'Imibano
Hakizimana Cyriaque
Umuhanuzi Mukuru